KIDS GOD WORSHIP
www.kidworship.kr

# Isaka na Rebeka


- 8th Story -


51Page


| | |
|---|---|
| Aburahamu | “Isaka yakuze yamaze gushika mu bigero. Nkwiriye kumuronderera umugeni mwiza.” |
| Uwuvuga | Aburahamu ahitamwo kuronderera umugeni Isaka. Ariko Aburahamu ntiyashaka ko Isaka atwara umunyakananikazi. Yiyumviriye kuja gutora umugeni i Aramu isi ya basogokuruza. Aburahamu ahamagara umusuku wiwe w’umwizigirwa. |
| Aburahamu | “Haguruka uje i Aramu uzanire umugeni umuhungu wanje Isaka. Uhoraho arakurongora.” |
| Uwuvuga | Uwo musuku aragenda i Aramu n’ingamiya cumi nk’ingabire y’uwuzoba umugeni. |


52Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Uwo musuku arateba ashika Aramu mu kajoro hageze gufungura. Arushe cane kubw’urugendo rurerure, aricara iruhande y’iriba inyuma y’igisagara araruhuka. Iryo riba ryari rikikijwe n’abigeme bariko baravoma amazi yo gutekesha ivyo mw’ijoro. |
| Umusuku | “Mbega ntumbera hehe ngo ndonke umugeni wa Isaka?” |
| Uwuvuga | Uwo musavyi arata wakuba. Ariko yibuka amajambo ya Aburahamu. |
| Aburahamu | Uhoraho azokurongora. |
| Uwuvuga | Uwo musuku arapfukama iruhande y’iryo riba arasenga Uhoraho. |
| Umusuku | “Mukiza, abigeme bo muri iki gisagara baraza kuvoma kuri iri riba. Umwigeme muri bo nza kubwira nti mpa amazi hanyuma uheko n’ingamiya zanje, nza kumenya ko ari umugeni abereye Isaka." |


53Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Akiriko aravuga haseruka umwigeme afise umubindi araza kw’iriba. Uwo mwigeme yari mwiza cane w’umunyakaranga kandi w’indero runtu, uwo musavyi aramwitegereza ariko aravoma amazi kw’iriba hanyuma araheza aramubwira. |
| Umusuku | “Ntabaza se utuzi kuri uwo mubindi wawe?” |
| Rebeka | “Nyakwo muhanyi. Hinge mvomere n’ingamiya zawe nazo.” |
| Uwuvuga | Uwo musuku aratangara cane yumvise ivyo. |



54Page

| | |
|---|---|
| Umusuku | “Ah, Uhoraho yumvise isengesho ryanje. Uyu nta nkeka ni umugore wa databuja Isaka.” |
| Uwuvuga | Uwo musuku arahimbarwa cane n’uko aronkeye umugeni Isaka. Uyo mwigeme yitwa Rebeka. Uwo musavyi yabira impeta ayambika Rebeka hamwe n’imiringa ibiri hanyuma araheza aja guhura na se wiwe. Abavyeyi ba Rebeka bamwakirana igishika, nuko ababwira icamuzanye. |
| Umusuku | “Jewe ndi umusavyi wa Aburahamu. Databuja arafise umuhungu yitwa Isaka. Nazanywe ngaha no kuronderera databuja Isaka umugeni.” |
| Se w’umukobwa | “Iki ni igikorwa c’Uhoraho. Ng’uyu Rebeka, mujane abe umugore w’umuhungu wa sobuja wawe.” |
| Uwuvuga | Nuko uwo musavyi yemererwa na se wa Rebeka kumujana kubakana na Isaka. Na Rebeka ubwiwe anezererwa kujana na we. |

......................................................................................................................



55Page



56Page

| | |
|---|---|
| Uwuvuga | Bukeye, wa musavyi azinduka ajana na Rebeka mu rugo kwa Aburahamu. Isaka yari mu mirima yiyumvira. |
| Isaka | “Mbega uyo mugore ni nde?” |
| Uwuvuga | Isaka aregera uwo musavyi. Uwo musavyi amudondagurira ivyabaye hanyuma atwara Rebeka iwe. Isaka na Rebeka barubakana mu mihezagiro myinshi. Barabana amahoro, akaramata. |